**MOUVEMENT INAMAHORO**
*Chronique sur les droits des femmes et des filles*

# KWIGISHA UMWIGEME, N'UKWITWARARIKA NO GUKINGIRA KAZOZA KIWE !

*Umunsi mpuzamakungu wahariwe kumenya gusoma no kwandika*

*Igenekerezo rya 8 Nyakanga 2026*

## *Uburenganzira bw'abigeme bwo kwiga*

Kw'igenekerezo rya 8 Nyakanga, harahimbazwa umunsi mpuzamakungu wahariwe kwiga gusoma no kwandika. Icivugo c'uno mwaka kigira kiti : « **Inyigisho zo gusoma no kwandika, inkingi y'iterambere ry'umuntu no kubungabunga isi tubako** ». Ku bw'umuhari Inamahoro, kwiga gusoma no kwandika no kuja mw'ishule ku mwana w'umwigeme s'inzira igana iterambere gusa, ni uburenganzira bwa kiremwa muntu bwemewe n'agenga igihugu c'Uburundi n'amasezerano mpuzamakungu igihugu cateyeko igikumu.

Aho twovuga cane cane Amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu, Amasezerano yubahiriza aganakingira agateka k'umwana, Amasezerano ya Africa akingira agateka no kubaho neza kw'umwana, Amasezerano mpuzamakungu yiyamiriza ico cose coza gikumira umwigeme canke umugore. Twongere twibukanye ko n'ibwirizwa shingiro ry'Uburundi ryemejwe muri 2018 riha kandi rikemeza uburenganzira bwo kuronka inyigisho ku muntu wese. Nkako, igisata co kwigisha gusoma no kwandika gifise ikibanza gikomeye mu ndinganizo y'igisata c'indero mu Burundi. Tuboneyeho akanya ko gushima wa mugambi wo kwigisha abana bose bageze ku rugero rwo gutangura ishule ataco basabwe, watumye haba intambwe ishimishije, abantu benshi bakamenya gusoma no kwandika.

Yamara naho biri gurtyo, ibiharuro vyerekana ko ako gateka kagenda gatosekara, abana b'abakobwa baheba canke bahebeshwa ishule ari benshi : mu mashule y'ibanze, abahungu n'abakobwa dusanga bangana ibitigiri, bigiye haruguru gatoyi aho bariko baraheza amashule y'intango, dusanga ibice 57% gusa vy'abakobwa aribo bayaheza. Binjiye mu mashule yisumbuye hoho bikunyuka : 33% nibo baheza igice ca mbere c'amashule yisumbuye. Muri kaminuza naho, abigeme n'abakenyezi bari kurugero rwa 29,6%. Ivyo biterwa cane cane n'ubukene mu miryango, ukwubaka ingo ku bigeme

batarakwiza imyaka, kuva mwishule kubera umwigeme yatwaye inda, ivyiyumviro bituma umwana w'umwigeme adafatwa kumwe n'umuhungu n'ibindi.

Hari n'igihe amategeko yategerezwa gukingira umwana w'umukobwa adakurikizwa ugasanga umwigeme agiye kwubaka urugo atarakwiza imyaka, canke ugasanga arirukanywe kw'ishule kubera yatwaye inda. Ivyo vyose bikaba bija kubiri n'ivyo Uburundi bwiyemeje imbere y'amakungu, eka mbere bikaba kubiri n'Ibwirizwa shingiro. Ico twomenya coco nuko uwuhagaritse ishule kare, igikwirikira n'ubuzima bwa ntahonikora. Inkwirikizi zo kutamenya gusoma no kwandika ku mwigeme, canke kuva mw'ishule kare ni nyinshi cane : ntaba agishobora kumenya amateka yiwe n'ingene yoyakingira, hari inyigisho nyinshi zitamushikira, ubukene bukaba bumwinjiranye, ugasanga kubera kubura ukwo agira yishoye muvyo atazi, nka burya buzi duhora twumva abigeme bamwe bamwe baja gukora mu bihugu vyo mu kigobe c'abarabu, nka Arabie Saoudite. Ikindi nuko kuba yari yaraciye mw'ishule agaca arivamwo kare, bishobora no kumusubiza mu murwi wabatakimenya gusoma no kwandika.

Kuri uyu munsi wahariwe kwiga gusoma no kwandika, **Umuhari Inamahoro** usavye abavyeyi guhimiriza abana b'abigeme kuja mw'ishule bakarigumamwo ; dusavye Leta y'Uburundi kugenzura ko amategeko yashizweho muri ico gisata akurikizwa neza, igasubiramwo ayagifise agahaze, bo n'imigenzo igikumira abigeme n'abakenyezi. Turasavye kandi leta gutera igikumu kuri ya masezerano yitiriwe Maputo. Abigeme n'abakenyezi, Umuhari Inamahoro ubasavye kumenya no guharanira na ntaryo agateka kabo, kandi ntibiyugarane no bagume bonyene iyo bahohotegwa.

**Twibukanye : kwigisha umwigeme, n'ugukomeza ubwigenge bwiwe no kumuha uburyo bwo kwubaka kazoza kiwe be n'ak' igihugu.**

---

***Umuhari INAMAHORO — 8 septembre 2026***